# UKURI KUNYWANISHA

*Ikinyamakuru c'Umurwi w'igihugu ujejwe Ukuri n'Ukunywanisha Abarundi*

*Q. Kabondo, Avenue du 13 octobre, n°16, www.cvr.bi.*
*Tél. :22 279169* ; 22 280706 B.P. 2620 Bujumbura, Burundi

**N°12**
**NZERO 2021**


## *INTANGAMARARA*

*Umurwi w'igihugu ujejwe gutohoza ukuri ku mabi yabaye mu Burundi no kunywanisha Abarundi (CVR), waraye ushikiirije inzego z'igihugu icegeranyo c'ivyo washitseko mu mwaka uheze w'2020.*

*Haba mu nama nshingamateka, haba mu nama nkenguzamateka, haba muri Reta, eka no mu madini n'amashengero, abaronse bose ico cegeranyo, carabashitse ku nyota.*

*Muri uwo mwaka w'2020, Umurwi CVR ukaba rero ahanini wakoze ibikorwa vyo gushira ahabona ukuri ku mabi yabaye mu mwaka w'1972, iyemeza ayo mabi, bikaba ari ibisigarira vy'amagufa y'abantu bishwe mu rwimo rwatanguye italiki 29 z'ukwezi kwa Ndamukiza, rukaba ndetse rwarabandanije gushika mu mwaka w'1973.*

*Naho urwo rwimo rwahereye mu ntara zo mu bumanuko bw'igihugu (Makamba, Bururi na Rumonge), nticabujije ko rurandagata no mu ntara zose z'Uburundi. Mbere abakurambere bakaba bemeza ko Reta ya Misheli Micombero yatwara Uburundi muri ico gihe, ibifisemwo uruhara ntangere.*

*Iyi nomero y'iki kinyamakuru ija guca bisha na bisha ivyo Umukuru w'Umurwi CVR, Petero Karaveri Ndayicariye yasiguriye abashingamateka n'abakenguzamateka, igihe bari bakoraniye mu ngoro y'amanama mu Kigobe, ku wa 7 Nzero 2021, ivyo yayaze n'abarongoye amadini n'amashengero ku wa 18 Nzero 2021, hamwe n'ivyavuzwe igihe abagize ibiro vy'Umurwi CVR baja gushikiriza muri kuno kwezi, icegeranyo kwa Nyakubahwa Umushikirianganji wa mbere wa Reta y'Uburundi, Alain Guillaume Bunyoni be no kwa Nyakubahwa icegera c'Umukuru w'igihugu, Bazombanza Prosper*

*Ni mu ntango z'uku kwezi nyene, abagize Umurwi CVR bahurira i Songa mu ntara ya Gitega kugira bakore urutonde rw'ibikorwa bazorangura muri uno mwaka w'2021.*

***Petero Karaveri Ndayicariye***



*Aha ni mu ngoro y'amakoraniro yo mu Kigobe. Ku wa 7 Nzero 2021. Petero Karaveri Ndayicariye arongoye umurwi CVR ashikiriza icegeranyo abashingamateka n'abakenguzamateka*

Umwaka w'ibikorwa wa 2020, Umurwi CVR washikirije icegeranyo kigizwe n'ibitabo 6. Igitabo ca mberekigize umutima w'icegeranyo kigizwe n'impapuro 274. Kirimwo ibice bikuru 12 vyerekana bikongera bigasigura amamuko yo guhonyanga agateka ka kiremwa muntu vyashikiye Uburundi mu 1972, ingene ubwicanyi bwateguwe, cane cane hakagaragara uruhara rwa Reta n'inzego z'intwaro na gisirikare vy'ico gihe, ingene abahonyanze agateka ka kiremwa-muntu bakora, ububisha bukuru bukuru bwibonekeje mu gihugu n'abaronderwa gufatwa no kwicwa abo aribo, imigwi mikuru y'Abarundi bafatwa, abashoboye kurokoka uko vyagenda, abakijije abandi n'icabibatuma, inkurikizi z'ubwo bwicanyi mu gihugu no mu miryango, ingene Umugwi CVR watohoza ukongera ugakura mu binogo abishwe mu 1972, ingene ibisigarira bimaze gutorwa n'ibindi vyatowe mu binogo bibitswe, hamwe rero n'ikibazo co gushumbusha abahuye n'ivyago mu 1972 uko kimeze.

Ico gitabo giheza cerekana abishwe bamaze kumenyekana bo ku mitumba 14 ya Komine Vugizo, abo Umugwi CVR umaze kumenya bishwe mu 1972 mu gihugu hagati hegereye intara ya Gitega, urutonde mfatakibanza rw'abasirikare bishwe mu 1972, urutonde mfatakibanza rw'abakozi ba Reta bishwe mu 1972 mu gihugu hagati hegereye Intara ya Gitega, urutonde mfatakibanza rw'abanyagihugu bisununuye bishwe mu 1972, urutonde mfatakibanza rw'abanyamahanga bishwe mu kiyaya c'Imbo mu bwicanyi bwo mu 1972, urutonde mfatakibanza rw'abashoboye kurokoka muri ubwo bwicanyi bwo mu 1972 aho Umurwi CVR umaze gukorera, urutonde mfatakibanza rw'abanyeshure bo muri Kaminuza bishwe mu bigo vya Kaminuza iBujumbura n'i Zege i Gitega mu myaka ya 1995-1996, urutonde mfatakibanza rw'abantu Umugwi CVR umaze kwumviriza mu gihugu hagati hegereye Intara ya Gitega, urutonde mfatakibanza rw'abantu Umurwi CVR umaze kwumviriza mu Ntara ya Makamba, urutonde mfatakibanza rw'abantu Umurwi CVR umaze kwumviriza mu Ntara ya Rumonge.

# UKURI KUNYWANISHA

## BIMWE MU VYO UMURWI CVR WASHITSEKO MU MWAKA W'2020

Umurwi CVR wararondeye wongera urafurura ibinogo vyatawemwo abishwe. Mu Ntara ya Karusi warafuruye ibinogo 8 vyavuyemwo ibisigarira vy'abishwe 7348. Aho ni ku Ruvubu, ku mutumba Bukirasazi muri Komine Shombo. Mu Ntara ya Gitega, wafuruye ibinogo 11 vyavuyemwo ibisigarira vy'abishwe 3630. Ibinogo vyatowe iMashitsi, iNyabunyovu, iMutobo no ku ruzi Nyambeho muri Komine Giheta.



*Ubuhanga bw'abantu CVR yazuye mu Mabanda /Makamba*

Mu ntara ya Makamba hafuruwe ibinogo 34 vyavuyemwo ibisigarira vy'abishwe 1680. Mu ntara ya Rumonge hafuruwe ibinogo 16 vyavuyemwo ibisigarira vy'abishwe 813. Mu Ntara ya Ngozi Umugwi CVR wafuruye ibinogo 7 vyavuyemwo ibisigarira vy'abishwe 113 muri Ndurumu; na 23 vy'abishwe muri Marangara nyene ahitwa Burenge mu myaka y'1988 n'1995.

Umurwi CVR warumvirije ivyabona bishika ku 377, bo mu ntara zose wakoreyemwo. Muribo harimwo abahutu n'abatutsi, abakoze amabi n'abayakorewe ; abakenyezi n'abagabo, akaba ata n'umwe yari musi y'imyaka 58 y'amavuka. Umurwi CVR kandi waragize ingendo zitandukanye hagati mu gihugu uvugana n'Abepiskopi katolika, uravugana n'abajejwe intwaro, inzego z'umutekano n'iza gisirikare.

Umurwi CVR wakoranye n'abenegihugu, abajejwe intwaro n'umutekano, abihebeye Imana bo mu madini menshi, bikaba ivyo bikorwa vyaramenyekanye biciye mu mboneshakure n'ibimenyeshamakuru.

Mu gushira ahabona ibisigarira vy'abishwe, Umurwi CVR wakoresha abakozi bavuka kandi baba aho waba ugiye gukorera. Abo bakozi batorwa hubahirijwe ivy'amoko n'ibitsina. Kubera yuko ico gikorwa co kuzura ibisigarira kitoroshe, ababikoreramwo barahabwa inyigisho ku musi ku musi z'ingene bokwifata hanyumabakanakurikiranwa n'abahinga mu vyo guhahamuka, kuko abenshi bakoreye muri ivyo bikorwa, ntibabonwa neza mu kibano. Ibikorwa vya misi yose vyatangurwa bigasozerwa n'igisabisho.

Uko Umurwi wagenda urashira ahabona ibisigarira vy'abishwe, ni ko wagirako ubaza n'ababibonye canke abo vyakozeko bakiriho kandi bemeye kuvuga ivyo babonye. Abagize Umurwi barakora indwi zibiri ku rubuga hanyuma bagasubira mu miryango no ku biro kugira bagire indinganizo nshasha. Uko indwi iheze, abari ku rubuga barahura bagahanahana ivyiyumviro bakongera bakaruhurira umutwe kuko kubona amagufa y'abishwe n'ukumviriza amagorwa yashikiye ababuze, biraremereye cane.

### ICATUMYE UMURWI CVR UHERA KU RWIMO RWO MU 1972

Ubwa mbere na mbere, n'uko ubwo bwicanyi bwahekuye Abarundi n'imiryango-myishi. Ubwo bwicanyi, nta ntara butashitsemwo! Igipfungu cabwo cazitiye igihugu cose; umucanwa urarandagata; amaraso y'inzirakarengane araseseka. Abantu benshi bishwe bamwe bagatabwa mu binogo, bagenda ataco binona; bazi ko bagiye mu nama z'amahoro kuri Komine, kuri Arrondissement canke ahari icicaro c'Uburongozi bw'Intara. Benshi barijana; canke bakayoborwa n'umuntu umwe canke babiri. Ntibigera biyumvira ko bafise isango n'urupfu ruzobashorera gushika mu binogo aho bicwa bagafurirwa n'imashini bagere-keranye nk'amatafari yubaka inzu.

Imvo ya kabiri, n'uko ivyabona, baba abapfakazi, impfuvyi, ababuze, aboba barabikoze mbere n'ababonye bimwe bimwe mu vyabaye, bariko barakura. Benshi muribo baramaze kwitaba Imana; abandi bishwe n'akabonge, intuntu, amaganya n'ubukene butagira izina. Umurwi CVR washimye rero gutangura gukorera ku bwicanyi bwo mu 1972 bwadometse bugatongora igihugu cose; cane cane kugira Umurwi ushobore kwumviriza ivyabona bikiriho.

Umugwi CVR uramaze gutohoza ku bwicanyi n'uruhagarara rwahekuye imiryango mu 1965; mu 1969; uruhagarara rwabaye mu 1971. Mbere n'imanza zaciwe zikarigita abantu benshi bazira ubusa, CVR izozicarira kandi yaratunguye ikoresheje abahinga bize ivyerekeye amategeko n'akahise (les experts juristes et les historiens). Uyu Murwi kandi wasabwe kuraba ivyabaye kuva mu 1885, ku ntwaro ya Bakavamahanga gushika mu mwaka wa 2008.

Ivyo Umurwi CVR wabwiwe bizovamwo mu mezi ari imbere igitabo kinini c'impapuro zishika ibihumbi bitatu (3000 pages). Ico gitabo Umurwi CVR uracagitosora. Kirashobora kwitwa *"Livre des témoignages sur les violations massives des droits de l'homme au Burundi en 1972".*

Umwaka wa 2020 watangaje benshi. Aho Umurwi CVR watangura kwerekana abiciwe kw'isoko ya kera yo mu Kamenge bagatabwa mu binogo, hari Abarundi n'abanyamahanga bifashe ku munwa, bati: ivyo vyabaye ryari? Ivyo birashoboka mu gihugu kirimwo inzego n'abategetsi? Ico gihe hari n'abakunda kunuza inkuru bagira bati: "Arya magufa yatowe, Umurwi CVR wayakuye mw'itongo ry'abapfuye"! Ivyo vyaravuzwe. Abandi bati: "Arya magufa ni ayo mu 2015". Abandi bati: "Nta mpuzu yomara imyaka cumi canke irenga igikomeye"!

Ariko mwomenya ko CVR yatoye n'ikarata karangamuntu mu binogo zigisomeka

## IVYIGWA UMURWI CVR WAKUYE MU BIKORWA VYO MU MWAKA W'2020

**Icigwa ca mbere:** Umurwi CVR wasanze Imana yarahagurutse ibwira Abarundi iti: "Reka kubesha"! Yongera ibabwira iti: "Ivyo Umurwi CVR uriko uratora mu binogo hirya no hino vyarabaye!". "Vyaba abantu babona; abapfakazi bajumarariwe; impfuvyi zidashobora gukorora amo-sozi; abarongoye amashure yisumbuye barengewe n'ibindi". Incuti canke abagenzi bamwe bamwe bageragejе kuvugira abahagaritswe bagiye kwicwa, nabo nyene benshi barahasize agatwe.

**Icigwa ca kabiri:** Nta bwicanyi na bumwe buba mu gihugu ata cabona. "Imanga ntimarira Imana". Imana yama inyegeza umwana canke umuta-makazi mw'ishamba canke inyuma y'ingundu y'igitoke bazovuga ivyabaye haciye imyaka; mbere n'ababikora ku mugaragaro usanga babibuka amazina n'amabanga bari bashinzwe. Bulamatari, Komiseri w'Arrondisse-ment, Musitanteri, Umusirikare mukuru, Uwurongoye ishure yahemutse mu gushora abo areze, canke Umukuru w'umutumba, ni abantu bibukwa na benshi iyo bakoze ivyiza canke ibibi.

**Icigwa ca gatatu:** Mbega inguvu n'ubushobozi bwo kuduga no kumanuka imisozi, abakozi b'Umugwi CVR babikura he? Nabo nyene ntibararonka inyishu y'ico kibazo. Ikiri ukuri gusa, n'uko abasengera igihugu ngo gikire ari benshi. Uburundi bwabuze abenegihugu benshi bazize ubusa. Abo basengera igihugu, barasengeye n'Umurwi CVR kugira ushike ku kuri kubohora abantu, imiryango n'igihugu cose.

**Icigwa ca kane:** Mu bwicanyi bwatanguye itariki 29 Ndamukiza mu 1972, hari ikibazo nyamukuru: "Bishoboka gute ngo ubwicanyi butangu-rire mu Rumonge canke i Nyanza-Lac, bukeye mu gihugu cose hagaca haboneka intonde (listes) z'Abarundi bahagarikwa bakajanwa kwicwa no gutabwa mu binogo? Izo ntonde zateguwe ryari? Zateguwe na bande? Uburyo bwo guhagarika no gushomba abaja kwicwa batabwa mu binogo bwateguwe ryari? Bwateguwe na bande?"

Ivyo bibazo canke ivyo vyigwa uko ari bine nivyo vyashikanye CVR ku Mutumba Bukirasazi, Komine Shombo mu Ntara ya Karusi, ku ruzi Ruvubu, aho Umurwi CVR umaze gutora no gufurura ibinogo 8 vyataw-emwo abantu barenga ibihumbi indwi mu bwicanyi bwatanguye mw'ijoro rya 29 Ndamukiza 1972. Muri iryo joro nyene niho uwahoze ari Umwa-mi Karoli Ndizeye ariwe Ntare wa 5 yicirwa mw'ikambi ya gisirikare y'iGitega. Muvyo CVR imaze gutohoza, abamugandaguye bavuga ko yari kw'isonga ry'abaje gutera Uburundi no gukura ku butegetsi abariho ico gihe. Ivyo biri mu nzandiko za Reta z'ico gihe; bikavugwa n'iradiyo y'igihugu (La Voix de la Révolution). Ikinogo c'aho Ntare wa 5 yoba yaratawe gushika uno musi nta muntu n'umwe wo kwizera araherek Umugwi CVR. N'umusirikare mukuru yari arongoye intara ya Gitega ico gihe yarakiriwe muri CVR ariko ntaco yashoboye kuyaga kubera ko akitswe n'amagara.

## AMAYAGWA YO KU RUVUBU

Ku Ruvubu muri Shombo hamwe no mu binogo vyatowe muri Komine Giheta, mu ntara ya Gitega, nk'iMashitsi, i Mutobo no ku ruzi Nyambeho hino no hakurya, abahiciwe nka bose bava muri Karusi, Gitega, Mu-ramvya, Mwaro, Ruyigi, Ngozi, Kayanza, Muyinga, Kirundo na Cankuzo cane cane. Ariko hari n'abafatirwa i Bujumbura canke ahandi bakabad-ugana kubicira I Gitega cane cane iyo abababadodobereje babashize ku rutonde rw'abo bakeneye mu ntara ya Gitega.

Mu binogo vyo ku Ruvubu no muri Giheta, abicwa barahagarikwa ubwa mbere iyo baba canke bakora; bakabarindiriza mu kibanza kimwe twokwita "centre de transit"; imiduga ya gisirikare canke iy'abadandaza yafashwe n'inzego za Reta ku nguvu (Réquisition) ikabashikana mw'ikam-bi ya gisirikare iGitega hakaba isuzumwa ry'intonde z'abafashwe; hanyu-ma bagatwarwa mw'ibohero rya Gitega, rimwe na rimwe bamwe ba-banza gucishwa kuri paraki ya Gitega. Hari n'abafatwa bagapfungirwa mu gasho ka Komine Gitega kari kahari ico gihe. Abo rero barugaranwa, bagaca bacanira ibisate bibisi kugira bicwe n'imyotsi. Bamwe bava mw'ibohero ry' iGitega batwarwa mu binogo: bamwe baba bamaze gupfa, abandi bagihema. Mu gupakira mu miduga babajana ku binogo, babanza munsi abagihema, hejuru bakabarenzako abapfuye. Ivyo vyasig-uwe n'umwe yari mu munyororo i Gitega muri ico gihe akaba yari mu babica bakabapakira babajana kubata ku Ruvubu.

Aho mw'ibohero iGitega, bamwe bicwa n'inkoho; abandi bicwa n'abap-fungwa bigishijwe kwica bakoresheje inyundo canke ibindi vyuma bafise nk'imitirimbo; abandi bicwa n'inzara n'inyota canke n'ukubura impwemukuko babugaranira mu gasho katagira isaganirizo barenga cumi, mu kwugara bagatsindagira. Nta burenganzira bwo kuronka amazi, imfungurwa canke izuba bari bafise. Babakurayo benshi bapfuye abandi ari ibiruruma. Abagira Imana babashira mu cumba cagutse twokwita "salle" aribo b'abo basohora baja kwica.

Vyarashika abafashwe bamwe bagaca mu butungane muri Parquet; ariko inyandiko CVR imaze kuronka ziva mu butungane bwa gisirikare bw'ico gihe (Conseil de guerre), zereka Umurwi CVR ko ata manza z'ukuri zacibwa. Hari n'abantu bitwa ko baciriwe imanza, bamaze imisi barishwe baratawe mu binogo; barafuriwe n'imashini. Ivyo vyarabaye iGitega; ivyo

vyarabaye n'i Bujumbura. Abacamanza bakukurutse bamaze gutanga inkuru mu Murwi CVR baravuzeko izo manza zari inkinamico. Ku madosiye yuguruwe muri Parquet, vyaherera iyo nyene bagaca bandika ko dosiye yaheze kubera urupfu rw'uwakurikiranwa, ariko ntiberekane ingene yapfuye. Abashikirizamanza barandika n'impapuro zemeza ko umuntu yapfuye; ariko mu mategeko ntibashobora kwandika urwo rukaratasi bitemejwe na muganga. Bamwe mu bafatwa hari abo baca bajana ku binogo ata handi babacishije. Bamwe muri abo bari bagiye kwicwa, hari ababumvise ko bagenda bararirimba indirimbo z'Imana bati: "Twese tuzopfa ntawuzorusimba".

Ivyabona Umurwi CVR umaze kwumviriza i Gitega n'i Karusi, vyaratanze umuco ukwiye ku bahagarikwa bari ku ntonde zateguwe. Benshi bari abakozi ba Reta nk'abigisha, abandi bari abihebeye Imana barimwo abapadiri, ababikira, abafurera n'abamenyeshamana, harimwo n'abanyeshure bo mu mashure yisumbuye, abacamanza, abasirikare, abajandarume, abanyagihugu bo ku mitumba bafise ubuzima bwisununuye… Hari n'abafatwa kuko bankana n'umutware kanaka canke basangiye urudandazwa. Hariho Abatutsi bamenyekanye ko bishwe bazira kuvugira Abahutu b'inzirakarengane. Hari n'abihebeye Imana bazize ko bavugiye bagenzi babo b'Abahutu. Haravugwa n'abantu umukuru kanaka yipfuza gukiza agasanga baraye bamwishe.

Imbere yuko imashini ziza kwimba ibinogo bitabwamwo abicwa, abategetsi b'Intwaro nka Bulamatari, Komiseri, Musitanteri canke abari mu nzego za gisirikare, baragenda kuraba no gucagura ibibanza vy'amashamba abereye kwakira ivyo binogo. Ivyabona bikiriho vyarabonye neza abo bategetsi ku Ruvubu, iMashitsi, iNyabunyovu, iMutobo no ku ruzi Nyambeho muri Komine Giheta. Kenshi na kenshi, ibinogo vyimbwa mu masaha y'ijoro gushika isaha cumi na zibiri mu gitondo. Bamwe mu banyonga ivyo biduga vyimba n'amabeni aja gusesa mu binogo abapfuye canke bagihema buke buke bakiriho, baravuganye n'Umugwi CVR. Umurwi CVR urafise amajwi yabo; urafise amafoto yabo n'ivyo bayagiye Umurwi bagashirako n'umukono. Ntibatinya kubivuga kuko baremerewe imyaka myinshi n'akabi babonye.

Umushoferi w'Umunyekongo yakora kw'ibarabara rya Giheta muri 1972, yakoreshejwe cane mu binogo vy' iMashitsi, iMutobo na Nyabunyovu yitwa Jean Pierre yavuye mu Burundi yasaze. Ishirahamwe yakorera rica rimusubiza iwabo muri Kongo.

Abapfakazi benshi babuze abagabo mu 1972 baratotejwe; baranyagwa ivyabo mu miryango (imiduga, inzu, inka, amaradiyo, amatongo); barafatwa ku nguvu kenshi mbere n'ababiciye abagabo; abandi bakinjirirwa ku nguvu. Ubu rero hari ikibazo CVR yavanye mu Ntara za Gitega na Karusi; ariko kiriho no mu Rumonge na Makamba aho Umurwi CVR umaze gukorera incuro ya mbere: Hari abana bavyawe n'abagore bafashwe ku nguvu; ugasanga abo bana ntibasangiye ubwoko n'abambere bavutse ku mugabo yishwe.

Ivyo CVR yabibwiwe cane cane n'ivyabona n'abapfakazi mu Ntara ya Makamba. Ivyo bitera ingorane zibiri: gusangira itongo rigaca riba rito n'urukundo ruke hagati y'abo bana. Ikindi naco kibabaje cane n'uko abapfakazi bamwe bamwe b'ico gihe, basubiriye kurongorwa ntivyakunze ko basubira kuvyara kubera umubabaro mwinshi bagize; abenshi muri abo wasanga bapfakaye bavyaye rimwe.

Vyongeye, ibinogo batamwo abishwe ku Ruvubu vyari bicunzwe. Umugwi CVR waravuganye n'abatama babiri bari mu bacunze ivyo binogo; barawiganiye ingene vyari bitunganijwe; ko igihe cose imbere yuko bazana abo baja gutayo baca babanza kubabwira ngo bakinjure maze bakabagarukana bahejeje. Baja kurindirira kw'ibariyeri yari haruguru y'aho ivyo binogo vyari.

Ibinogo vyo ku Ruvubu no muri Komine Giheta vyatangaje abantu benshi kuko hamaze gutorwa ibisigarira vy'abishwe bashika ibihumbi indwi. Muri ivyo binogo hatowemwo impuzu, ibirato, ibisigarira vy'isasu, imidari, amashapule, za karangamuntu, amagodomoni abika amafaranga, amasaha yitwa Mortima, ivyuma vyahohosha abatawe mu binogo, impuzu ziboneka ko zari iz'abihebeye Imana, imisipi y'igisirikare n'imigozi myinshi ikomeye ya gisirikare babohesha abaje gutabwa mu binogo. Ibeni zarasuka mu kinogo aba mbere, imashini ikaza igafurira; hakaza abandi bishwe canke bahema buke buke bagasukayo, imashini ikaza igafurira; vyarashika igasuka gatatu, imashini ikaza igafurira, yongera itsindagira. Abantu bakuze baca hafi yo ku Ruvubu bavuganye n'Umugwi CVR, baribuka umunuko wari muri urya mwonga wa Ruvubu; kuko ba bantu batsindagiwe n'imashini baravyimba, bakabora, hanyuma inyo zikisesa hejuru.

## UMURWI CVR WIPFUZA KO UKURI KUMENYEKANA

Ukwo kuri Umurwi CVR uriko urashira ahabona, wipfuza ko Abarundi n'amakungu, abakiri bato n'abakuze bakumenya; kuko n'abakuze benshi hari ivyo batamenye na burya ababikora ico gihe babigize akamizwe n'ingoma. Umurwi CVR uripfuza kumenyesha kandi Abarundi ko hari n'abantu bishwe bagatabwa mu nzuzi no mu mashamba. Umurwi CVR waratohoje neza uramenya ko hari n'abishwe mu 1973, Reta yaramaze kuvuga ko impore yabonetse mu gihugu cose. Abanyegurutse bamaze umwaka canke urenga binyegeje benshi ntibaraye. Barafashwe baricwa; ivyo vyarabaye mu ntara z'igihugu zitari nke. Hari n'abishwe bazira ko babonye ivyabaye ("les témoins gênants").

Twavuze ko ku Ruvubu no mu binogo vyo muri Komine Giheta hiciwe abantu bavuye mu mice myinshi y'igihugu twamaze kudondangura.

Birakenewe ko Umugwi CVR uronka uburyo bwo kwegera abapfakazi n'impfuvyi boba bakiriho n'ibindi vyabona bishoboka kugira ushobore kubabaza ivyo bazi kuko iGitega harabaye ubwicanyi busiga ubwenge. Abanyeshure bamwe bahagarikwa batanzwe n'abarezi; abasirikare canke abajandarume b'ico gihe bakoranye n'abarongoye Intara canke Komine babasanga mu ndaro aho baja kubitorera, bakaburiza imiduga. Ba Musitanteri b'Ikomine zegukira Gitega baravuzwe cane muri ubwo bwicanyi; Abakomiseri ba Arrondissement. Mu Makomine agize Gitega, abantu benshi bahagarikwa n'urwaruka rwitwa JRR ico gihe. Hari uwabwiye CVR ko ico gihe nyene, caranazira gutereka ubwanwa bumeze nk'ubw'Umukuru w'igihugu w'ico gihe. Ufashwe, wicwa mu bandi kuko wagirizwa ko ugomba gusubirira umukuru w'igihugu. Aho iGitega, abahutu n'abatutsi Umugwi CVR umaze kumviriza nka bose baravuga ko Bulamatari w'Umusivile waho ko yabica bigacika. Ubu ntakiriho; yaramaze kwitaba Imana.

Ikindi Abarundi bomenya gitangaje ni uko muri baba JRR bahagarika abandi babashorera kw'Ikomine canke kuri Arrondissement, harimwo abatagaruka; ivyo cane cane vyari bifatiye ku vy'ubwoko. Ivyo bigasa n'ivy'abanyororo bahohosha abicwa mw'ibohero ry'iGitega; mu mperuka benshi muri bo baruhiye kwicwa, bamaze amayinga bica bongera baherekeza imiduga igiye gusesa mu binogo abishwe bava mw'ibohero rya Gitega.

## UKURI UMURWI CVR URIKO URASHIRA AHABONA KURATEYE UBWOBA

Naho Ukuri Umurwi CVR uriko urashira ahabona guteye ubwoba, ibikorwa igihugu cashinze uyu Murwi si ivyo guteranya Abarundi nkuko bamwe bamwe bivugira ngo: "Umurwi CVR uriko urazura akaboze". Ukuri kuriko kurasohoka buke buke mu binogo kurahumura; kurakiza kandi kurabohora. Ubutumwa bwa CVR ni ubwo gukiza imitima yakomeretse ; ni umwanya wo kurira kuko carazira kuririra abo Reta yari yise "Abamenja". Carazira kugandara; kuko vyavugwa ko abishwe bose ari abamenja; ko bariye amafaranga ya Ntare wa 5 n'ay'abazungu; abandi nabo bakagirizwa ko banyuruje itunga ry'igihugu.

Ukuri kwigisha abariho n'abazovuka kwubaha ubuzima bwa kiremwamuntu: nta gihugu na kimwe abari mu bwoko ubu canke buriya bashobora kuba abamenja bose canke abagarariji bose. Nk'uko ata bwoko bwica; hica umuntu canke abantu. Icagoye Uburundi bwacu mu myaka iheze ni ugufata ibintu ikivunga ngo "Abahutu ni abicanyi"; ngo "Abatutsi ni abicanyi". Iyo ngendo tuyihebe kuko niyo yatumye Uburundi butabohoka; abakoze ibibi canke ubwicanyi bakinyegeza inyuma y'ubwoko bwabo kugira bitwe intungane. Hari n'abasangiye ubwoko bashatse gukingiranira mu ntumbero yo guhagararira ubwoko.

Ukuri Umugwi CVR ushinzwe gutohoza ni uko kubohoza imiryango; abana ntibitirirwe ivyo batakoze; ivyo batabonye; abapfasoni ntibazire ivyo abagabo babo bakoze. Ukuri Umurwi CVR uriko uratohoza ni uko kwibutsa Abarundi bose n'amakungu ko abatawe mu binogo batiyishe; ko batitaye mu binogo, bongere bifurire. Ukwo kuri ni kwo kuzofasha Abarundi b'ubwoko bwose kwubahana; kuvuga ukuri; no gushinga inkingi zo kunywanisha abasangiye igihugu. Ububeshi "ngurukiramakungu" bugabanuke mu gihugu; umutima w'uburyarya uve mu Barundi. Kandi birashoboka; mu Mugwi CVR turavyizeye.

## IVYO UMURWI CVR WATOYE MU BUMANUKO BW'UBURUNDI

Mu mwaka w'2020 Umurwi CVR warakoreye no mu Ntara zo mu bumanuko cane cane mu Rumonge no muri Makamba. Wahumviye vyinshi bitandukanye kandi vyisa.

Mu kiyaya ca Rumonge na Nyanza-Lac, abaganiriye Umurwi CVR baravuze ko abateye kuri irya tariki ya 29 Ndamukiza 1972 bitwa "Mayi Mulele". Hari abavuze ko harimwo Abanyekongo n'Abarundi bigishijwe bakica bagatema bagatongora aho babonye Umututsi; hari ababwiye Umurwi CVR ko aba "Mayi Mulele" bari Abarundi b'Abahutu ngo bari bambaye ivyatsi ku mutwe; hari abavuze ko bari bariciye indasago kugira insoro z'abasirikare b'igihugu ntizibafate; hari n'abemeje ko aba "Mayi Mulele" bamaze iyinga bica Abatutsi cane cane muri Komine Vugizo kandi ko ata musoda w'igihugu n'umwe yahashitse muri iyo ndwi ya mbere gutabara; hari abemeje ko n'Abatutsi bamwe bamwe bambaye ivyatsi ku nguvu kugira bafashe ba "Mayi Mulele" kwica.

Inzo nkuru zose mu Murwi CVR harabonetse umwanya wo kuzitohoza. Umurwi CVR waramenye ko hari n'abategetsi b'intwaro na gisirikare bagiye mu karere ka Rumonge kw'igenekerezo rya 29 Ndamukiza 1972 guhumuriza no kugabisha abenegihugu kuko havugwa ko Reta ya Misheli Micombero yari ifise amakuru yerekana ko igihugu cegerejwe guterwa. Haravuzwe ivyerekeye urukino rw'umupira w'amaguru rwari rwateguwe; mu Ntara zimwe zimwe z'igihugu, hari hateguwe n'intambo zo mw'ijoro bita "Soirées dansantes" na burya bwaca kabiri hakaba umusi mukuru w'abakozi n'akazi, wama uba kw'itariki ya mbere Rusama. No mu gisagara ca Bujumbura kwari uko.

Umurwi CVR waratohoje neza uramenya ko Umukuru w'igihugu w'ico gihe yakomboye Reta yose itariki 29 Ndamukiza 1972; hanyuma Intara zigahabwa ba Bulamatari b'abasirikare ngo bazirongore. Abatwara amakomine agize Bururi ico gihe bamwe baracariho; abandi baritavye Imana. Mu bakiriho, hariho abo Umurwi CVR umaze kwumviriza. Mu Murwi CVR nta nkeka ko ukuri kwerekeye ba "Mayi Mulele" kuriko kuramenyekana. Ego. Ba "Mulele" baragaragaye mu Ntara z'ubumanuko kandi barishe

abantu, cane cane abo mu bwoko bw'Abatutsi. Ariko, nta ba "Mayi Mulele" bigeze bashika mu Ntara zo hagati CVR imaze gukoreramwo. Mbere Umurwi CVR urafise amajwi n'amafoto y'Abarundi bakoze canke bakoreshejwe bitwa ba "Mayi Mulele" mu Ntara z'ubumanuko. Abo ba "Mayi Mulele" bavugwa mu Ntara y'ubumanuko, nta wabakubise ijisho mu ntara za Gitega na Karusi. Icavuzwe muri izo ntara zo hagati mu gihugu n'uko abategetsi babwira abanyagihugu ko Uburundi bwatewe n'ubukoko" buguruka bwitwa "bwa Mulele" ! Abo banyagihugu bafashwe n'amajwi bemeje mu Murwi CVR ko ahubwo basanze ubwo bukoko bwitwa " bwa Mulele" bari Abahutu.

## BA MULELE BARI BA NDE?

Mu vyo Umurwi CVR watohoje neza na neza, wasanze Petero Mulele yari Umushikiranganji w'indero kuri Patrice Lumumba muri Kongo. Yashinze umurwi urwana witwa "Simba" ashaka kurwanira intwaro yari yatowe n'abanyagihugu. Umuntu yari ashinzwe ingabo ziwe igihe yagwa-na yitwa Gaston Sumiyaro. Kandi uwo Sumiyaro yarabaye imisi itari mike i Bujumbura, yakiriwe neza n'inzego zirongoye igihugu.

Umurwi CVR waratohoje, uramenya ko hari Umushikirangaji wa Reta ya Misheli Micombero yagize imibonano myishi na Pierre Mulele; uwo Mushi-kiranganji kandi yaramaze imisi itari mike iBruxelles mu Bubiligi aba muri hoteli imwe n'uwahoze ari Umwami Ntare wa gatanu.

Ikindi Umurwi CVR umaze kumva ariko ugitohoza neza ni ivyerekeye Inama Nshikiranganji yarongowe na Prezida Micombero kw'itariki 28 Ndamukiza 1972 buca urwimo rutangura. Muri iyo Nama havugwa ko bavuganye ikibazo c'ico bokoza Ntare wa gatanu: abashikiranganji boba batagihurijeko. Niho bukeye, Prezida Micombero yakura Reta yiwe yose kandi bitari bimenyerewe. Ubundi yarakura Umushikiranganji uyu canke uriya. Ariko ivyo gukombora Reka yose, vyabaye imbonekarimwe. Ku mugoroba w'uwo musi w'igenekerezo rya 29 Ndamukiza 1972, Uburundi buca bwinjira mu mwijima w'ubwicanyi. Abasirikare bavuye muri Kongo baraje gufasha abasirikare b'Uburundi kurwanya abitwa ba "Mayi Mulele" bateye Uburundi, ariko ntibatevye mu gihugu; Reta ya Kongo yaciye ibatumako basubira iwabo.

Umurwi CVR uracatohoza ingene abiswe ba "Mayi Mulele" botera mu kiyaya ca Rumonge na Nyanza-Lac, abandi bakaduga i Vugizo, hagahera iyinga ryose abasirikare bataratabara! Ikindi Umurwi CVR ugitohoza ni ingene hoterwa mu Rumonge canke Nyanza-Lac, iryo joro nyene abantu bari ku ntonde (listes) bagaca batangura guhagarikwa bicwa mu gihugu cose. Hanyuma ubwicanyi butanguriye mu Rumonge na Nyanza-Lac bugaca budomeka igihugu cose; kandi biboneka ko abahagarika bakica abantu baba baserukira inzego z'intwaro na gisirikare!

Ikindi cateye amakenga Umugwi CVR kandi umaze gutohoza ni ukuntu uwari ajejwe igisirikare mu ntara ya Bururi yamenyesheje Reta ko hari ibintu bibi biriko birategurwa ku Mugara, muri Rumonge; akanasaba n'uruhusha kugirango abasirikare biwe basake muri ako gace ka Mugara, ariko urwo ruhusha akaba yaragwimwe, ukwezi kwose kurahera.

Ng'ivyo rero ivyanyegejwe Abarundi imyaka myinshi Umurwi CVR uriko uratohoza ku buhinga bwawo. Abarundi barakeneye kwumva no kumenya ingene umwana yiga mu mashule yisumbuye yokwitwa umumenja ugasanga yishwe akurikira Se wiwe, Sewabo canke bashikiwe na bene wabo bize canke b'abadandaza.

## IVYIGWA BITANU UMURWI CVR UMAZE KUMENYA MU NTARA Z'UBUMANUKO BW'IGIHUGU

**Icigwa ca mbere :** Mu kiyaya ca Rumonge na Nyanza-Lac hari abishwe-batabwa mu binogo; abandi mu mirima y'ibigazi n'amashamba; hari abatawe muri Tanganyika, mu nzuzi nka Murembwe n'abandi batabwa ku nkengera z'ikiyaga Tanganyika batwawe n'amazi.

**Icigwa ca kabiri :** Ibinogo vyinshi Umurwi CVR umaze kumenya no gutegura mu kiyaya ca Rumonge na Nyanza-Lac vyabonetse hafi y'amashengero, cane cane ay'aba Pentecôte. Muri ivyo binogo, hataw-emwo abakristo benshi n'abapasitori babo. N'amazina y'abari muri ivyo binogo usanga amwe amwe ababanyi bakiyibuka.

**Icigwa ca gatatu :** Mu kiyaya ca Rumonge na Nyanza-Lac, harishwe Abatutsi batari bake mu misi itatu ya mbere ubwicanyi bugitangura. Ubwicanyi bwakurikiye bwahitanye abahutu benshi bo mu kiyaya; abicwa ubwa mbere bari abadandaza bafise ibintu; kandi haramanutse n'aban-yagihugu bava mu misozi baje kwica no gusahura urukombamazi mu Rumonge na Nyanza-Lac. Abo banyagihugu bakorana n'inzego z'intwaro n'iza gisirikare mu kwica.

Hari ikinogo rusangi catangaje abatu benshi. Umurwi CVR wagisanze mu bitaro bikuru vya Rumonge; havuyemwo ibisigarira vy'abishwe mu 1972 bababa 500. Hari ikindi kinogo catowe mw'isoko yo mu Minago; abi-ciweho bagatabwa mu kinogo basutsweko essence baraturirwa; amagufa yabo Umurwi CVR wasanze yarazigiye kandi yirabura. Hari ibinogo vyat-towe muri Buruhukiro; hafi y'amashuha ku Mugara n'ahandi nk'i Mutam-bara. Ayo makuru yose Umurwi CVR wayahabwa n'abacitse kw'icumu; abapfakazi, impfuvyi n'abanyagihugu bipfuza ukuri kubohora igihugu n'imiryango.
Abo muri CVR baraganiriye n'umukenyezi yarokotse ava mu kinogo kiri ahari uruganda rukora amasabune rwitwa Savonor mu Rumonge. Ico kinogo Umurwi CVR ugiye kugikorerako muri uno mwaka w'2021.

**Icigwa ca kane :** Mu Rumonge n'iMakamba, abategetsi mu Ntwaro na gisirikare baradomwako urutoke cane n'abapfakazi n'impfuvyi mu bwicanyi bwahekuye imiryango. Ba Musitanteri baravuzwe cane mu bikorwa vyo guhagarika abicwa, vyo gusahura ubutunzi bw'abapfakazi no gufata ku nguvu abakobwa canke abapfakazi.

**Icigwa ca gatanu:** Abategetsi baserukira Intwaro canke igisirikare bose baje n'indege, abanyagihugu barabibuka. Haba mu Minago, haba muri Vugizo i Makamba canke i Mabanda no muri Kayogoro, haravugwa indege z'abategetsi bakuru bahaca, ibara rigaca rigwa. Kuri Paruwasi katolika ya Minago, abategetsi bazaniye imfashanyo abahungiyeyo; bukeye bose batabwa mu binogo barafurirwa. Muri Komine Kayogoro, indege kajugujugu yarahwikiriye abahunga baja muri Tanzaniya, imaze kubegeranya neza bose ica irabarasa. Abahazi neza bahita ku Musebeyi. Aho Umurwi CVR warahakoreye; amagufa y'abishwe atatwawe n'inkukura menshi wasanga aboneka muri ico kimanga.

## IBARA RYARAGUYE AHITWA I GIKUZI (VUGIZO) MU NTARA YA MAKAMBA

Mu ntara ya Makamba ibinogo rusangi bimaze gufururwa bishika kuri 34, bikaba vyavuyemwo ibisigarira vy'abishwe bashika ku 1680. Ivyo binogo biratandukanye n'ibinogo vyo mu ntara zo hagati mu gihugu nka Gitega na Karusi kuko vyinshi vyimbwa n'abantu mu gihe ivyo ku Ruvubu, Mashitsi, Nyabunyovu, Mutobo na Nyambeho vyimbwa n'imashini.

Vyongeye muri Makamba, wasanga abatawe mu binogo bava mu muryango umwe, abagore n'abana ntibabagera umutwe; abantu barabibuka n'amazina; baribuka uwabahagaritse n'ingene bahagaritswe.

Muri Komine Vugizo, ahitwa Gikuzi, haguye abantu benshi bahamagawe na Musitanteri mu nama y'amahoro; bashitseho bava mu mitumba ishika 20, baca babacamwo imirwi ibiri: Abahutu ukwabo, Abatutsi bagataha. Umurwi CVR waravuganye n'uwari Musitanteri wa Vugizo ico gihe kugira wumve ukuri kwiwe. Aho iGikuzi, Umurwi CVR umaze kuhatora ibinogo 8 vyavuyemwo ibisigarira vy'abishwe bashika 592.

Ibinogo vyo muri Komine Makamba canke Mabanda birasanzaye mu mashamba, mu mirima, hafi y'inzira n'amabarabara. Mu gutora ivyo binogo biroroha cane kuko Umurwi CVR uvyerekwa n'abanyagihugu bavyimvye bakoreshejwe n'abategetsi b'ico gihe. Ivyo vyarabaye ahitwa Mononotsi muri Komine Makamba. Kandi muri ako karere, ibinogo vyimbwa n'amaboko y'abantu. Muri Gitega na Karusi, hakoreshwa imashini zimba zikongera zigafurira.

## UBURUNDI BWARAKOMERETSE

Inyuma y'urwimo rwo mu 1972, imiryango myinshi yabayeho mu maganya n'akabonge kenshi. Hari abari bahungiye muri Kongo canke Tanzaniya bahungutse vuba; ni bo babwira Umurwi CVR amagorwa babonye.

Muri iki gihe, Umurwi CVR ntiwovuga ko ugiterwa ubwoba n'amagufa ukura mu binogo; ariko ibiteye ubwoba n'agahinda cane abakozi ba CVR ni ivyo abapfakazi n'impfuvyi bavuga. Bimwe birasiga ubwenge. Ni nk'ivyerekeye abakenyezi bafatwa ku nguvu n'abategetsi babiciye abagabo ; canke abakenyezi baryamana n'abafashe abagabo babo kugirababe ko borekurwa. Hari n'ibindi Umurwi CVR ata majambo woronka wo kubisigura!

## IKIYAGO CA CVR N'ABARONGOYE AMADINI N'AMASHENGERO




I Bujumbura, kw'itariki 19 Nzero 2021, Umukuru w'Umurwi CVR, yari yatumiwe n'abarongoye ishirahamwe TEARFUND kugira aremeshe ikiganiro kumwe n'abarongoye amadini. Petero Karaveri Ndayicariye yabiganiye ingene abantu bakwiye kubana neza bubahana, afatiye ku vyago vyagiye birashikira Uburundi.

Uwo mubonano witabwe ahanini n'abepiskopi bo mu mashengero ya Anglikani mu Burundi. Petero Karaveri Ndayicariye yarabiganiye ibikorwa Umurwi CVR umaze kurangura n'intererano amashengero yozana mu vyerekeye kunwanisha Abarundi.

Yaraberetse icegeranyo c'ibikorwa vya CVR vyo mu mwaka w'2020 nkuko yagitanze mu nama nshingamateka na nkenguzamateka ku wa 7 Nzero 2021, afatiye ku vyo ibwirizwa rigenga Umurwi CVR mu ngingo yaryo ya 6 itegekanya. Ni naho yafatiye yereka abo bihebeye Imana ko mu Burundi haranzwe muri kahise ububeshi n'ubwiyorobetsi bwinshi.

Ndayicariye ati ikinyoma ni kibi. We mbere ngo : "kudanganya ni haram", bisigura ko kubesha ari icaha kibi cane, cane cane ko mu Burundi abantu benshi babeshewe n'ukwicwa baricwa bazira ubusa mu bihe vy'urwimo. Maze akibaza ati: mbega yemwe abantu bazova mu mwijima gute, ejo umwana ntazozire icaha se yakoze ? Kuko yasanze kuva Uburundi bwikukira, igihugu cagumye mw'izinguzingu ry'amashano n'agahinda: 1965, 1969, 1971, 1972, 1988, 1991, 1993...

Umukuru w'Umurwi CVR yagize ati: erega mu Burundi bose ntibishe. Ati : ariko ndazi neza ko bigoye gutanga ikigongwe, na burya ino iwacu ivyo gusaba imbabazi bisanzwe bitari mu migenzo. Yahavuye abereka akareresi k'ivyo Umurwi CVR wakoze mu mwaka uheze w'2020 aho wazuye ibisigarira vy'abishwe mu 1972: Ku Ruvubu, iMashitsi, iNyabunyovu, iNyambeho, mu Rumonge, iNyanza Lac, Vugizo, Mabanda, Makamba n'ahandi. Ubwo bwicanyi, bwarakomerekeje ku mutima Abarundi benshi, arico gituma yasavye abo bihebeye Imana gukomeza gusengera Uburundi n'Abarundi kugira bakire ivyo bikomere bagendana.

Umwepiskopi umwe yari aho yarafashe ijambo, avuga ati: "erega na twebwe ubona ngaha, twarasinzikaye ku mutima. Ati : nka jewe, narababajwe rwose no kwitwa umwana w'umumenja inyuma yaho data yiciwe mu rwimo rwo mu 1972". Uwundi mwepiskopi mugenziwe nawe ati: "amahano yashikiye Uburundi burya yatanguye kera, si ayo mu 1972 gusa. Ati mbere muraraba neza ko adashinze imizi mu ntwaro za ba kavamahanga." Uwundi ati: kandi urwimo rwo mu 1972 ntirwahitanye Abahutu gusa, kuko na jewe ndibuka ko mu 1973, aho natangura umwaka wa mbere, bambwira ko amahera yo kwiga amashule yavuye mu kimazi kuko ikiza c'1972 cari cadusize habi."

Abo bihebeye Imana bo mu madini menshi, basezeranye ku mugoroba batangara ingene amakuba yashikiye bose, gushika naho asigaye yarashizwe mu mazina yitwa abana, nk'aya ngo: Baratumaze, Rwimo, Ndarusanze, Tubanyendabazi, Sinzobavimbere, Ntamagiro, Ntahondereye, Bimwenyi, Bandyambona, Ndayahande, Ntahomvukiye, Kirimwinzigo, Ntahombaye, Baranyikwa, n'ayandi.

Kugira Uburundi n'Abarundi bakire, abarongoye amadini n'amashengero bavuze ko vyoba vyiza umurwi CVR uhawe ikiringo kirekire co kumenya ukuri ku vyabaye no kunwanisha Abarundi, uwo murwi ugakorana n'abamenyeshamana mu mabanga yo gukiza imitima. Barasaba mbere ko abarongoye igihugu bosaba ku mugaragaro ikigongwe Abarundi bakorewe ubwicanyi, kuko basanze abategetsi b'Uburundi bo mu 1972 batabashije gukingira Abarundi, ahubwo mbere bari mu bamaze inganda. Abo bepiskopi bati iryo bara ryaguye rikwiye guterwa ivyatsi, n'ejo n'ejo bundi ntirize risubire mu Burundi, kandi n'imiryango yahuye n'ico kiza igahabwa impozamarira.

## ABAKURU B'UMURWI CVR BAKIRWA N'UMUSHIKIRANGANJI WA MBERE BE N'ICEGERA C'UMUKURU W'IGIHUGU

Ku musi wa kane, itariki 28 Nzero 2021, Umushikiranganji wa mbere, Alain Guillaume Bunyoni yarahaye umubonano Petero Karaveri Ndayicariye, ari kumwe na Clément Noé Ninziza na Léa Nzigamasabo bafatanije kurongora Umurwi CVR. Bari bagiye gushikiriza icegeranyo c'ivyo Umurwi wakoze mu mwaka w'2020.





Aho baviriye muri uwo mubonano, Ndayicariye yabariye abamenyeshamakuru ko ibanga rikuru rya CVR ari ukunywanisha Abarundi. Navyo bikaba bitoroshe kuko abantu benshi muri iki gihugu bagendana intuntu n'agahinda kenshi gaturuka ku makuba yabashikiye mu myaka yahera. Umukuru arongoye Umurwi CVR ati: twaje kwerekana ko uruhara rw'abakuru barongoye kino gihugu ari ntangere mu gushigikira Umurwi CVR, uno murwi nawo ubashe kurangura ivyo washinzwe. Yarasiguye ivyo Umurwi CVR washitseko mu mwaka w'2020, intambamyi zabonetse n'ingene uno mwaka w'2021 ugiye gukora.

Umushikiranganji wa mbere w'Uburundi nawe yasavye abo barongoye Umurwi CVR kuvyiganira n'abandi barongoye igihugu, barimwo Umukuru w'igihugu n'icegera ciwe, ariko cane cane babibwire n'Abarundi babicishije ku babaserukira mu nama nshingamateka na nkenguzamateka.

Bukeye, abarongoye CVR baciye bajana ico cegeranyo nyene kwa Prosper Bazombanza, icegera c'Umukuru w'igihugu. Hari ku wa 29/1/2021.

Rédaction et mise en page: Gérard MFURANZIMA